KIDS GOD WORSHIP

www.kidworship.kr

# Yakobo II

- 10th Story -



65Page



66Page


Uwuvuga — Esau agirira akazika Yakobo kuko yamunyaze kuba samuragwa hamwe n'umugisha wa Se. bituma Yakobo ahitamwo guhungira kure kwa Inarume i Alamu. Ariko umutima wa Yakobo waguma udatekanye

---

Uwuvuga — Yakobo ari ku rugendo aja i Alamu bumwirirako arahagarara yabira ibuye mu ma buye yahoo ageze araryisegura arasinzira. Arota abona icuririzo gishinzwe hasi umutwe waco ushika mw'ijuru abona abamalayika b' Imana bakidugako, bongera bakimanukako. Kandi Uhoraho yari ahagaze hejuru yaco ahamagara Isaka.

Imana — "Yakobo, ndi Uhoraho Imana ya Aburahamu Sogokuru , Imana ya Isaka: Iki gihugu uryamyemwo nzokiguha mwe n'uruvyaro rwawe, nzobana nawe kandi nzokurinda aho uzoja hose."

---




67Page

Uwuvuga — Yakobo ararandamuka mu ndoto zitanganje yagize ubwoba.

Yakobo — "Mwami urakoze!"

Uwuvuga — Amaze kuvyuka, Yakobo afata rya buye yari yashize munsi y'umutwe wiwe ararishinga ngo ribe inkingi arisukako amavuta ya elayo. Aho hantu aca ahita Beteli. Yakobo atanga ishimwe k'Uhoraho.

---



68Page

Uwuvuga — Ni uko Yakobo arateba arashika mu rugo kwa inarume Labani, ashitseho ahabona Rakeli, umukobwa wa Labani aca aramukunda.

Yakobo — "Ni wanyemerera umukobwa wawe Rakeli nzogukorera imyaka ndwi."

Uwuvuga — Imyaka indwi irarangira. Ariko kubera Yakobo yakunda Rakeli imyaki indwi yabaye mike.



69Page



70Page



71Page

Uwuvuga — Yakobo abwira Labani.

Yakobo — "Raba imyaka indwi iraheze , none nundekure nabire Rakeli umugore wanje."

Uwuvuga — Ni uko inarume wa Yakobo ariwe Labani ahitana Leya mukuru wa wa Rakeli amuha Yakobo kuko ntiyashobora gushingira mutoyi kandi mukuruwe atarashingirwa aca abwira Yakobo ati:

Labani — "Ni wongera gukora iyindi myaka indwi nzoheza ndagushingire Rakeli."

Uwuvuga — Yakobo aravyemera akora iyindi myaka indwi hanyuma iheze arongora Rakeli nawe yari yarakunze.

---

Uwuvuga — Yakobo yabira Rakeli na Leya hanyuma aravyara abahungu benshi. Agerera kwa inarume wiwe aramukorera cane, arinda amasho menshi y'intama, inka n'ingamiya. Hama ikiganza c'Uhoraho kimubako atunga amasho menshi nawe.